
www.kidworship.kr

# Yona

- Old Testament Ⅱ / 14th story -



108Page

**Uwuvuga** Harabaye umugabo yitwa Yona muri Isirayeli. Yari umuvugabutumwa. Umusi umwe Imana iza kuri Yona iramubarira.

**Imana** “Yona, haguruka uje mu gisagara Ninewe ubaburire kuko ububisha bwabo bwanshikiriye.”

**Uwuvuga** Ninewe cari igisagara kinini cane. Cari igihugu kinini kirimwo abatunzi benshi. Ariko abantu b’i Ninewe ntibakundana barikunda cane. Yona ntiyumvira ico Imana yamutumye.

**Yona** “Kirya gisagara cuzuye abanyakibi. Bakwiriye guhanwa kandi niyo ntababurira, Imana izobahana nk’uko ivyipfuza..”

---



109Page


**Uwuvuga** Yona yirengagiza ivyo Imana yamutegetse, yurira ubwato aja i Tarushishi. Urugendo rwariko rugenda neza, ubwo nyene haza inkumbi y’umuyaga.

**Abantu** Ahhhhh! Ahhhhh! Dutabare! Imana yashavuye cane nta nkeka!!! Nta kindi kibitumye!! Reka turondere umuntu yashavuje Imana! Ingo!!

**Uwuvuga** Abantu bari mu bwato bahitamwo gukoresha ubupfindo kugira batore uwuteje ico cago. Bagira ubupfindo bugwa kuri Yona.

**Yona** “Yemwe ...ukuri ni uko ...Imana nkorera ariyo yarungitse iki gihuhusi. Ni munte mu kiyaga gica gicereza”

---



110Page

**Uwuvuga** Baterera Yona mu kiyaga kugira giceceze. Igitangaza kiraba, bagihejeje kumutererayo, ikiyaga n’umuyaga vyose biracereza. Mu mwanya haca haza urufi runini rumira Yona. Urwo rufi rwari rwarungitswe n’Imana. Yona amara amajoro atatu n’imirango ine mu nda y’urwo rufi.

---



111Page

**Yona** “Data, naracumuye. Ndakwinginze umparire, unkize!”

**Uwuvuga** Imana yumva isengesho rya Yona. Ku musi ugira kane, rwa rufi rudahwa Yona ku nkombe. Yona aba aravuye mu nda y’urufi. Nk’uko Imana yari yabimutegetse, Yona agenda i Ninewe yigisha ijambo ry’Imana.



112Page

| | |
|---|---|
| Yona | "Mwese, mu misi mirongo ine, Imana izokomvomvora Ninewe." |
| Uwuvuga | Yona azunguruka mu gisagara umusi wose avuga ijambo ry'Imana. Abantu b'I Ninewe baramwumva barubaha. Abantu b'I Ninewe barisonzesha hanyuma barasenga Imana ubuda-hengeshanya. |
| Abantu | "Data, turakwinginze utubabarire ibicumuro vyacu kandi nturimbure iki gisagara." |
| Uwuvuga | Imana ibonako batabesha hanyuma irababarira. Ni uko abantu n'igisagara c' i Ninewe ntibarandurwa. |